# Edeni Ya Satani

Jeffersonville, Indiana USA

29 Myandagaro 1965

1 Twunamike imitwe yacu. Mana Mukundwa, turaGushimiye kano kagoroba kubwa rino bakwe ridasanzwe, ryo kwongera kuza mw'Izina ry'Umwami Yesu, guhura n'umwansi wacu, ari we mwansi waWe, tumwirukane hanze y'urubuga rw'intambara, dukoresheje Ijambo, tumushiburirire kure tumukure hagati y'ihanga ryaWe, kugira bashobore kubona, kano kagoroba, Mwami, Umuco w'Ubutumwa Bwiza. Ndasavye Uze gusiga amaso yacu umuti wo guhumura amaso kugira yugurukire Ukuri, ku buryo nitwava hano tuze kugenda tuvuga duti: "Mbega imitima yacu ntiyatururumbiyemwo ubwo Yavugana natwe mu nzira?" Kiza abarwaye n'abababaye. Remesha abadendebukiwe. Komeza amaboko aregarega kandi aremerewe. Reka duhange amaso kuri kwa Kuza kw'Umwami Yesu, ukwo twizeye yuko kwegereje. Ivyo tukaba tubisavye mw'Izina rya Yesu. Amen. Ni muvyagire.

2 Ndaza kugeragezakuvuga make kano kagoroba, kuko ndazi yuko benshi bavuye mu mihingo itandukanyey'igihugu, ku….kubw'igikorane, abandi bagumye hano, bamwe muri mwebwe, kandibategerezwa gusubira inyuma, kumbure urugendo rurerure musubira inyuma. Kandindabashimiye. Kano gatondo nashatse kwiyumviririza jewe ubwanje mwene DataNeville.

Naramwumvirijeincuro nyinshi kandi nta na rimwe nigeze ndamwumviriza ngo mbure kumushimagiza.Ariko kano gatondo, mu gihe c'ubutumwa, ndazi naronse uburongozi bw'Umwami mukwumviriza ibir'aho kano gatondo. Vyari vyiza cane! Naciye mbona igituma namwebantu mukunda kuza kumwumviriza, namwe. Kandi ndabizi neza, kumwumviriza, vyamana ntaryo bibabera vyiza cane.

3 Narikondagerageza kugira imibonano muri kano gatondo, n'inyuma y'umutaga. Ndacafisebenshi, benshi, benshi bo kubonana nabo. Rero nda…N'uko, ndibaza,yari Yetiro yabwiye Mose igihe kimwe ati: "Birakurengeye.'' K'ubw'ivyo,turafise bene Data benshi ng'aha bashobora kwitwararika ingorane zanyu. Kandi zose ni ingorane zikwiriye kwumvirizwa,n'ibintu mu vy'ukuri bisaba kwitwararikwa. Kandi ndabarungitse ku mwungere wacu,canke mwene Data Mann, canke abandi bakozi b'Imana ba hano, dusangiye Ukwizera. Murashobora kubatumbera. Bazobabwira neza naneza ico mwokora; abantu bamwe, abana babo, ukwabirana kw'abadasangiye ukwizera,canke ibindi bitagenda neza. Rero abo bagabo barashobora kubafasha neza nk'uko- nkuko n'uwundi wese yobikora, kubera ni abakozi ba Kristo. Rero mubatumbere, ndazi neza bazo - bazobahaubufasha mukeneye. Sinshobora kubashikira bose. Usanga ari benshi aho uja hose.Baguma bongerekana bongera bongerekana, murabona. Maze -maze gushikira umwewese muri bo, yamara ntubishobore. Ariko ndiko ndansenga Imana ubudahengeshanya,kugira mu buryo kanaka, vyose Izobitunganye neza kubwanyu.

4 Rero, kanokagoroba, tugomba dutumbere Ivyanditswe, maze dusome igice c'Ivyanditswe hanomw'Itanguriro, ikigabane ca 3; hanyuma dusubire inyuma gato ku bintu twavuzemuri kahise, turabe yuko hari ico Umwami Yesu Aza kwongera kuduha kumenya nitwataha.Ndasavye - ndasavye Aze kubikora."Inzokayarusha, ubugunge ibikoko vyose vyo mw'ishamba Uhoraho Imana yaremye. Ibaza uwomugore, iti Ni ivy'ukuri koko yukw'Imana Yavuze, ngo Ntimurye ku giti na kimweco mur'iri tongo? Umugore yishura iyo nzoka, at'Ivyamwa ku biti vyo mur'iritongo twemererwa kubirya:

Arikw'ivyamwaku giti kiri hagati mw'itongo, ni vy'Imana Yatubujije, ngo ntitubiryeko, cankengo tunabikoreko, kugira ngo twoye gupfa.

Iyonzoka yishura uwo mugore, iti Haba n'intete ntimuzopfa; Kukw'Imana Izi yuk'umunsimwabiriyeko, amaso yanyu azokwiheza, mukamera nk'Imana ku vyo kumenya icizan'ikibi.

Uwomugore abonye ico giti ari yukw'ar'ikibereye kuribwa kandi ko gihimbaye mujisho, ar'igiti co kwifuzwa kimenyesha ubwenge, yamura kuvyo camye, arabirya,ahako n'umugabo wiwe bari kumwe, nawe ararya. Amaso yabo bompi arihweza , bamenya yukobagenda amenya, badandikanya ibibabi vy'umusukoni, bironkeramw'uducocerwa."

5 Imana Yongere…..imihezagiro yaYo ku gusoma kw'Ijambo ryaYo. Ubu rero, muri ibi nari nipfuzagufata umutwe w'icigwa kw'uno mugoroba, ndawite: Edeni ya Satani. Birasanzwe cane kuvuga ngo: Edeni ya Satani. Mu buryo runaka bisa n'ibihuje n'ivy'uwundi munsi w'Iyingauheze ku mugoroba, ndibaza, igihe nariko ndababwira hano ku bijanye n'Akayunguruzo k'Umuntu Yiyumvira be n'uguhonjakw'umuntu mweranda.Rimwe na rimweutu tujambo womengo ntaco tumaze tudushikana ku kintu; bidusunika ku kwiga, bikabatumamuja gusoma Ijambo. Kandi ico nico nipfuza yuko ikoraniro ryanje ryose rikora."Umuntu ntatungwa n'umutsima gusa, ariko n'Ijambo ryose ryatuwe rivuye mukanwa k'Imana." Rero, nimuze murasoma Ijambo; muRyige. Kandi muRyige mukoreshejeamaso y'Imana, kugira bihe ugutahura kw'ubwenge bwanyu ingene twategerezwakubaho muri iki gihe ca none.

6 Rero kuza hano,ku mugoroba, nkababwira nkavuga nti: "Neza, ndashoboye gukora ibi na biriya,…" Ndipfuzakuvugana n'abantu, nk'uko ndanipfuza kugendera umwe wese muri mwebwe kw'uyumugoroba. Nda…Imana Irazi ko ari ukuri. Nari nipfuza gutahana n'umwumwe wesemuri mwebwe maze - maze ngasangira - ngasangira namwe imfungurwa zo mu gatondo,hanyuma - hanyuma - hanyuma ejo ku

muhingamo tugaca tujana guhiga imihare,murabona.Ivyo nari -nari nipfuza kubikora, yamara nta - ntavyo nshoboye. Nari nipfuzakubasanga muhira maze nkicara tugatera abiri; nkicara mw'ibaraza inyumay'igikorane, maze tukaganira gato, tukayaga kuvyerekeye imibereho yanyu hamwen'Imana. Nokunze ivyo kubikora. Bagabo namwe bagore muri hano; Imana irazi yukoivyo nari nipfuza kubikora yamara ntavyo nshoboye. Murabona, hariho ugukwega nokuruha kwinshi - kwinshi mu mutwe.

7 Rero - rero kinogihe c'umusunikano tubayemwo…Jewe ubwanje ndi umuntu w'ishavu. Uyu munsi ndagira iciyumviro cogukora ikintu runaka, nkibwira nti: "Ntegerzwa kugikora," maze bukeyebwaho kikaba kiri kure yanje kuri mayili amamiliyoni; hari ikintu kiza kikabiciramwomaze kikagira ibi na biriya. Rero mufise umwanya, mugerageze gushira ivyiyumviro vyanyu hamwe.

8 Ariko intumberoyanje nyamukuru ni kuvuga Ubutumwa Bwiza mw'Ishengero, no gukora ivyo nshoboyevyose kugira mpeshe icubahiro Yesu Kristo muri kino gihe, mu gihe nkiri hanokw'isi, n'igihe nzoba narayivuyeko. Nza ku - kugira ngerageze kubabwira ikintu coshoborakubafasha; ikintu kanaka. Hari ico nize inyuma yo kuja muhira kano gatondo. "Mbeganza gushobora kuvuga iki ga Mwami kw'uyu mugoroba, coshobora gufasha aba bantu?" Mu kwumva bwabutumwa bw'inkomezi kano gatondo ku…bumwe mwene Data Neville yatubwira, kubijanye…Niyumviriye ukuntu vyari vyiza cane hamwe yavuga ati: "Umudogiteri niweasuzuma ingwara; ariko umuntu aza afise igisahani cuzuye ibintu vyo kuvura niweatera urushinge." Rero niyumviriye yuko ako kari akajambokagufise nyako - k'ukuri keza. Naciye niyumvira gurtya: "Serumu iza, inyuma y'ahoingwara iba yasuzumwe." Ico ni ikintu ciza cane.

9 Nari nipfuzakubabwira ikintu kanaka, kubazanira ikintu kanaka co kubamurikira amasezeranoy'Imana kubwa kino gihe. Murabona? Ikintu kanaka, atari ikintu kanaka uwundimuntu yari afise mu kindi gihe, ariko ikintu…kandi igihe…Ivyo bintu vyose nivyiza; turavyisunga. Ariko niyumviriye yuko nogerageza kubazanira ikintu muvyiyumviro vyanyu hamwe n'ibi Vyanditswe nanditse hano, bishobora kubamurikira,bikabaha kumenya, bikabaha kuba umusoda mwiza mu rubuga rw'intambara murikomurwaniramwo kano kanya; kwiga amayeri y'umwansi, ku buryo mushobora kuzibira ibintuvyose imbere yuko bibashikîra, murabona. Ng'ico ikintu rero ca nyamukuru, niukwiga gukinga i - ibipfunsi ukwo mushoboye bitaragushikira.

10 Rero, reka turabe kuri ibi bihambaye…. muminota mikeya, iki gihe gihambaye c'ivyaha tubayemwo. Sinibaza ko habayehoumusi nigeze gusoma kahise…….Harabayehoiminsi ihambaye yo guhamwa; igihe abana b'Imana bicwa aho bari hose.

Mugabo kubona ikinyoma c'umwansi, ntitwaritwigere tuba mu minsi nk'iyo tubamwo uwo musi. N'amayeri ahambaye, n'imisiy'ikinyoma.Kandi iyo mbonye ibi bica bizana ibi ko umu kristo ategerezwa kuba gusamba mu kindi gihe cose.

11 Rero dusubiyemuri ca gihe co guhamwa ca Roma, kw'ishengero,umu kristo akoze ikosa akagendaku kibuga c'imikono yaca arishwa intambwe,canke ikintu nkico igihe bamenye koari umu kristo kubera intahe yiwe. Mugabo umushaha wiwe wararokoka kubera yaba ariuwera yizera Imana adakekeranya,kandiamatanishije ishashara anezerewe intahe yiwe amaraso.Igihe imitsi yiwe yabayacitse,canke yuzuye intoboro umubiri wose ariko aravirirana,yaraduza ijwiryiwe mu kwizera ati:"Akira umutima wanje, Mwami Yesu."

12 Mugabo, unomunsi, amayeri y'umurwanizi ni ukugira abantu bakizera ari abakristo kandiatarivyo. Ivyo ni uko biri.Ntibikenewe ko umatanishwa …….Ivyo-ivyo ni uruhendorukomeye muri ino minsi gusumba muri ca gihe, wamatanisha ubuzima bwawen'intahe yawe.

Umurwaniziyazante amayeri yose ashoboye, kugira…Wewe ni umubeshi..Kandi Yesu Araitubwiramuri Matayo24, ingene muri ino minsi tubayemwo, tubaye mu gihe c'ububeshikitigeze kubaho, "cegereye ukuri ku buryo n'abatoranijwe b'ukuri b'Imana bohenzweiyaba vyomushobokera ko abahenda. "

13 None rekatugerereranye ivyanditswe bimwe bimwe, bivurwa muri Biblia muri ino minsi hamwetugerereranye n'iminsi tubayemwo. Muri Timoteyowa kabiri, igihimba ca gatatu twigishwa ibi: Umugishwa yavuze ko muri ino minsi"bizoshika ko abantu bazoba ibirandamuke, abikakisha, bakunda ibibahimbarabakabirutisha Imana". Tugereranije nubu akanya gato.Ntituza….turaza kubivuga muncamake, kubera ko atamwanya munini dufise wo kuvyigako cane nkuko twategerezwakubikora; Mugabo gusa kugira dutange umuco kuri ibi bintu kugira mushoborekubibona, nimwataha iwanyu muvyigeko."Ibirandamuke, abikakisha, bakundaibibahimbara bakabirutisha Imana banka kwuzura, barementanya batigarura, badakundaivyiza". "Kandi Mpwemu yaravuze ko ibi bintu vyobayeho muri iki gihec'iherezo."Kandi ni muri iyo minsi ubu buvugishwa buvuga.

14 Rero dusome,kandi, mu vyahishuwe….14, ahubwo mu vyahishuwe3:14, igihe c'ishengero ca Lawodikiya,ingene ishengero ryobaye mu minsi y'iherezo.Kandi bizoba,ko bivurwa "Rizoba k'umugoreyahebwe n'umugabo ataco yarakenye. Ryari-ryari ritunze, kandi rifise ibintuvyinshi ntirizi ko ari rikenye, rigowe, ryafutanye, rihumye, rigenda amenyakandi ntibabizi."

Rero, ibuka,ariko avuga kw'ishengero ryo muri iki gihe"ryafutanye, rihumye, rigenda amenyakandi

ntibabizi”. N'iryo ryungane rya nyuma, iryo jambo rya nyuma ririgirairitangaje cane. Bibaza ko buzuye neza mpwemu, biteguye. Igihe c'ishengero ryaLaodikia ni igihe c'Ishengero rya Pentekoti kubera ko ari igihe c'Ishengero ryanyuma. Lutheri yarafise ubutumwa bwiwe, Wesley yarafise ubutumwa bwizan'Abapentekote bari bafise ubutumwa bwabo.

15 Kandi,biravurwa ko ‟kubera ko uri akazuyazi, udashushe canke udakanye,ibishobisho vy'inyuma, ukwikorera ibintu vyo mubwenge mw'Ijambo ry'Imana, ″kuko‟,″yavuze‟ ″ko uri uko nzokudahwa mu kanwa kanje. Mu yandi majambo, vyaramugwaza kubona ishengero riri mu bihe nk'ivyo.

16 Kandi mwibukebaramudashwe kandi yari hanze y'Ishengero Agerageza kwinjira imbere kandi murikirya gihe c'Ishengero rya Lawodikiya.

17 Imana y'isiy'uno munsi, uwusengwa muri ino si yo muri kino gihe ni Satani. Kandi abantuntibazi ko basenga satani, bibaza ko bariko basenga Imana baciye mw'isengerokandi iyo niyo nzira satani yabikozemwo.‟Ah”, uravuze, ‟mugaborindira umunota; twebwe twigisha Ijambo ry'Imana.” Tuganire kuri ca gisomwacanje, muri rino joro. Satani niwe yatanguye kwigisha Eva, ubwa mbere;‟Imanayavuze ngo”, murabona. Ni ugutahura nabiico gihe c'Ivyanditswe vyega uyo munsi.Azokureka umenye ko Yesu Ivyo Yakozevyose vyari vyiza cane.Azokureka umenye ko Mose ivyo yakoze vyari vyiza cane.Ariko ni wafata amasezerano yatanzwe muri kino gihe, muri ico gihe ivyo bizocavyega igihe caheze ivyo nivyo akora, azana abantu ngo bizere muri ubwoburyo.Kuko, ntushobora gukurako ijambo rimwe kuri ivyo canke ngo uryongereko.Yamara nivyo akora.

18 Abantu, basengaSatani mu kutamenya,bibaza ko basenga Imana, nkuko tugabishwa n'ubuvugishwa, mub'I Tesalonika ba kabiri,kuko…….Reka dusome ivyo, Ab'Itesalonika ba 2,igihimbaca kabiri.Reka tuhasome mukanya,nimba vyoshoboka ubunyene nifuza gusoma ivyo.Ndizera,Tesalonika2, ndafise ivyanditswe hano kandi niko bivuga.

Turabinginga,bene Data,

kubwokuzoza kw'Umwami wacu Yesu Kristo ….

nokuzokoranirizwa kuri we kwacu, Ubu rero, raba‟Ukuza k'Umwami, no gukoranira iwe”, nk'uko Imana Izokoranya abantu bayomu misi y'iherezo. ‟Ugukoranya abantu b'Imana atari”, mw'Isengero, ‟ariko kuMana; mukoraniye muri we”. Ntimushokemunyiganyiga ngo murwe igihumura,

Canke…ngo muhagarike imitima- muhagarike imitima, naho mwoba mubitewe n'Impwemu,

Canke…n'Ijambo, canke n'icete kimezenk'ikivuye kuri twebwe,

kivuga…yuk'umusi w'Umwami wacu uhejeje gushika.

Ntihakagireumuntu abahenda mu buryo na bumwe: nk'uko ..

kuk'utazoza,kiretse kwa kureka Imana kutabanje kuboneka,

kandiwa muntu w'umugarariji (‟wa muntu w'umugarariji”,nimurabe ivyarivyo)

atarahishurwa,niwe mwana wo kuranduka (uyo yari Yuda,murabona);

umurwaniziyishira hejuru y'icitwa

Imanacose cank'igisengwa; nukw'azokwicara mu rusengero

rw'Imana yiyerekana ngo n'Imana.

19 Ico kinyomac'Ishengero ry'uwo musi! Murabona,‟wa mwana wo kuranduka, satani .″‟wa mwana wo kuranduka, satani. Rero, abantu bariko barasenga satani muriino misi bibaza ko bariko barasenga Imana.Mugabo bariko baramusenga biciye muriza ndemeye, amadini avuye mu vy'iyumviro vy'abantu na za ndemeye hanyumabikajana neza na neza abantu mu kinyoma gihambaye isi itigeze ijamwo. Ntacobitwaye uko Ijambo ry'Imana ryasezeranywe muri kino gihe ryovurwa,rikigaragazabaguma bataryizera,ntaryo bizera. None ni kuki? Turibazaigituma. Kuberaiki ku….kubera iki batavyizera? Igihe Imana yavuga ko Izokora ikintu kanaka,kandi Ikagikora, baguma bagiha umugongo no kucanka.Nkuko Eva yari azi ko coImana Yavuze izogikora, yaranse kugikurikiza kumviriza ico yari yavuze. Ni mwibuke gato, no mu bindi bihe, niko vyama bigenda.Mu bihe vyose niko satani yamaagerageza kumvangatiranya iri jambo kuri bo, aribereka mu kindi gihe.

20 Raba,igiheYesu Yaza,murabona,satani yari muri urya murwi w'abigisha w'Abayuda n'Abakurub'amasinagogi, n'abaherezi,agerageza kubabwira ko bagumya itegeko ryaMose,Igihe ijambo ry'ukuri ryavuga ko urya munsi umwana w'Umuntuazohishurwa,murabona,ko azihishura wenyene.Bariko baragerageza kugumya idiniryabo,kandi n'itegeko rya Mose…..Murabona ico yakoze?Yariko arageragezakubibabwira,‟ico gice c'Ijambo n'ico neza na neza,mugabo uyu mugabo si

wamuntu”.Murabona ingene ari umubeshi? Iki nico gihe nyaco c'uruhendo.

21 Niko yamye,kandi n'ubu niko ari, satani yashize ingoma yiwe hano kwisi.Nico gituma neza naneza akora ivyo, ashaka gushiraho ubwami bwiwe. Nk'umudandaza atariumukristo, azokoresha inzira zose ashoboboye kugira akwereke ikintu mu nziray'ikinyoma.Nimba afise i.. intumbero n'inyungu yiwe mu kubigukoresha,nokubikwemeza,azokwereka ico ashoboye cose kandi akunyegeze ikuri kuri co,kuberako yikunda wenyene.Ntaco bitwaye uko yobesha kose,yiba, n'ibindi wewe vyinshiarafise inyungu yiwe.

22 Nico gituma sataniyakoze ibi .Kandi yabicishije mw'ivuga butumwa kugira abikore, nkuko imanayabisezeranye ko azobikora. Yatanguriye mu kinyoma mu buryo bw'ikidini muriEdeni, kandi yarabandanije gushika n'ubu. Atariugutanguza umurwi w'abakominista.Abakominista nta ruhara bafise muri ibibintu.Ni mu rushengero niho utegerezwa kuraba murabona.Si aba-si aba kominístabashoboye guhenda Abatoranijwe.Si aba kominista; Turazi ko bahakana Imana,kandi ari abarwanya Kristo, ivyo n'ukuri niko bari mu mateka yabo, mugabo siumwe urwanya Kristo.Umwe arwanya Kristo ni umunyedini, umunyedini wa cane,arashobora gusubiramwo ijambo ry'Imana kandi mu buryo butomoye neza. Nkuko sataniyabikoze hariyo mw'itanguriro, yarerekanye neza mu buryo butomoye,‟Imanayaravuze”Ntimuzorye ku giti na kimwe co muri iri tongo? “Murabona koyasubiyemwo neza. Eva yavuzeati:” Ego, ivyama ku biti vyo mw'iri tongo twemererwa kubirya: Ariko kw'ivyama ku giti kiri hagati mw'itongo ni vy'Imana yatubujije, ngo ntitubiryeko, canke ngo tunabikoreko, umunsi twobikoze, tuzoca dupfa.‟

23 Aca avuga ati:‟Ôo, vyukurintibizopfa haba n'intete ntimuzopfa”. Mugabo reka ndakubwire igutuma ImanaYavuze ibi, n'uko. “Murabona arazi ikintu? Asubiyemwo uku kuri, murabona. Yavuze,amaso yanyu azouguruka, mumere nk'Imana kuvyo kumenya iciza n'ikibi, igihemwoshobora kubikora.” Ivyo nivyoashaka gukora, kandi ivyo nivyo nyene agerageza gukora uno musi. Harabayeikinyoma mu vy'ikidini guhera kw'itanguriro muri Edeni kandi vyabaye uko kuvaico gihe.Mugihe ca Nowa, cari ikinyoma. Mu gihe ca Yesu, kwari ukwo nyene.Kandi n'ubu n'uko nyene, muri iyo nzira nyene, uruhendo rw'ikidini runengesereye.

24 Rero, turabonaigihe Imana Yaganza isi. Rero igihe Imana ariyo yayiganza….yayiganza. Mu gihe,satani yayifatira mu kwanka ijambo ry'Imana. Hari igihe Imana yigeze kuyiganza.Yayishize mu muzunguruko wayo.Yayishize mu gikorwa.Yakoze ibishoboka kugira Ayiganze.Rerotuzogereranya ivyo inyuma yaho Satani ayiganjirije.

25 Rero, Imanavyayifashe imyaka ibihumbi bitandatu.Ntivyayifashe uwo mwanya wose, mugaboyakoresheje uwo mwanya.Imyaka ibihumbi bitandatu kuko twigishijwe ko “umusiumwe mw ijuru ungana n'imyaka igihumbi kwisi”, kandi imyaka ibihumbibitandatu,canke imisi itandatu Imana yubatse isi.Rero, vyafashe Imana imyakaibihumbi bitandatu kigira Imana Ishireho isi, Iyiteragireko imbuto nziza kugirazivyare iz'ubwoko bwazo. Ikintu cose gitegerezwa gutanga ico bisangangiye ubwoko. Imana yakoresheje imyaka ibihumbi bitandatu.

26 Munyuma, Ihejeje kuyitunganya yose, munyuma,twa…..Munyuma Irazana imirwa mikuru, c'isi, ahantu hateye igomwe mu buserukobwa Edeni,hitwa itongo ryo muri Edeni.Imana yashize imirwa mikuru yayo mw'itongorya Edeni, muri Egiputa, neza na neza mu mpera z'itongo hari imirwa mikuru.

27 Hejuru ya vyose, yashizeho umwana wayo n'umugorewiwe, kugira baganze vyose. N'ukuri. Nivyo Imana yakoze.Yarabahaye ubutegetsibwose. Barashobora kubwira umuyaga, kandi waca ureka guhuhuta, barashobora kubwiraigiti kanaka kandi kikava aha kija hariya. Intambwen'idubu vyarisha hamwe, kandi umwagazi w'intama waryamana na vyo. Nta murwaniziyari ahari. Hari amahoro yuzuye, ubwumvikane bwuzuye, ikintu cose kimeze neza,igihe Imana Ariyo yaganza. Kandi yari…..raba, Yarifise- Yarifise isi Yayo, Yaragenzuraicarico cose. Yari yabonye ko ikintu cose kigenda neza.Ikintu cose kiryaivyatsi, atagipfa, atacononekara, atacamerewe nabi. Ataco….. Vyose vyari bimezeneza. Hejuru yavyose yahashize abana biwe bakundwa, umuhungu n'umukobwa biwe, umugabon'umugore kugira baganze vyose.

28 Imana yari Ihimbawe! “Hanyuma ica iraruhuka ibikorwa vyayo vyose, ku munsi ugira indwi”, yaciye Iheba uwo munsi w'indwi ica iwugira Isabato, kubwaYo. Kubera ko, Imana Yaritegereje vyose ,inyuma y'uko yari imaze imyaka ibihumbi bitandatu ibishiraho yongera ibirema, Ishiraho ishiraho imisozi n'ibirunga, ishiraho imisozi Iravyumisha, ivyo vyose vyabaye nkuko Yari Yabitondetse, kandi hari ahantu hateye igomwe.

29 Nta kintu casa ha ho. Paradiso ihambaye y'Imana. Na vya bikoko bininivyitwa Dinosoro, kandi n'ibindi vyinshi. Bigendagendamwo, kandi nivyo bikokobihambaye, nta makare vyari bifise. Vyari bitekereje nk'akana kak'ayoya. Ntakintu na kimwe cariho, oya-oya nta ngwara,nta mubabaro, nta migera y'ingwara yarikw'isi,oh, mbega ikibanza: ibinyoni binini-binini vyaguruka biva ku giti bija ku kindi, Adamu nawe yar'ashoboye kuzihamagara mu mazina, nazo zarashobora kumugurukira ku bitugu maze zikamuririmbirako. Oo, ese ukuntu ico kibanza c'Imana Yari Yakozi cari akaroruhore!

30 Inyoni ninizaguruka ziva ku giti zija ku kindi; kandi Adamu yozihamagaye ku mazina kandizogurukiye

ku bitugu kandi-kandi zikamuririmbira.oh, mbega ahantu heza Imanayari ifise Hanyuma Igirakimwe muri kamere Kayo bivuye mu mubiri wayo.Imana Irafise akamere kavuye mumubiri wayo. Nk'uko, nawewe uri akamere ka so wawe. Kandi,umenye yuko wari muri sokoru wawe,n'abasokuru b'abasokuru.Mugabo kuri vyo,tuvuge, dufate wewe na so wawe.Rero,ntana kimwe waruzi igihe wari muri so.Urubuto w'ubuzima ruva k'umugabo.Umugabo afiseuturema ngingo tw'amaraso;umugore afise iri-irigi;rero,nkuko bimeze ako karema ngingo k'amaraso kagira ubuzimamuri ryo.Kandi,igihe wari muri so,mu bisanzwe nta na kimwe wari uzi kuvyerekeye ivyo. Mugabo,Kandi ntivyabujije ko ubuhinga hamwe n'ijambo ry'Imanavyarekana ko wari muri so, mugabo nta na kimwe wari uzi ku vyerekeye ivyo. Mugabo soyaripfuje kukumenya. Kandi bivuye k'ubufatanya bwa mama wawe, waramenyekanyekwa so.Ubu, ufise akamere ka so.Uraba nkawe, ufise ibihimba vy'umubiri bisan'ivya so. Rero, uko nikoImana Yari Imeze mw'Itanguriro.Umuhungu wese n'umukobwa wese b'Imana bari mu Manamw'Itanguriro.Ivyo ntavyo wibuka ubu,mugabo wari hariya.Wewe Yarabizi.Kandiyashatse ko ubaho kugira Ishobore kugiriranira imigenderanire nawe,muvuganeIgukunde,kandi Ikuramutse mu minwe.

31 Mbega ntushakaumuhungu wawe….uti si umusi uhambaye igihe umuhungu wawe yaje kandi akicara kumeza?Igihe avuye k'urubuga rw'intambara,canke ikindi kintu,afise inguma,uzotegurainzimano,ubage ikimasa,canke ibindi,kandi umutegurire.Ni umubiri wawe n'amarasoyawe kandi yari muri wewe.Ntiwari umuzi rero,ariko wari uzi ko yari hariya.

32 Imana yari iziko twobaye aha, Yadushize mu mubiri kugira tubashe kugiriranira imigenderanire.Mu ntumbero yo kutugendera, yacitse umwe muri twe igihe yaba Yesu Kristo, Umwanaw'Imana yonyene,ukunengesera k'ukwigaragaza kw'Imana.Kubwivyo rero,yariintumbero y'Imana kugira Igaragaze akamere Kayo biciye mw'isangira. Igihe narimuri Data, nta na kimwe narinzi kuvyerekeye ivyo.Mugabo igihe nacika umwanawiwe kandi nkavuka mvuye kuri we, nari akamere kiwe, igice ca Data.Kandi uriigice ca so.Kandi nk'abana b'Imana,turi igice c'akamere k'Imanacari muri Yo,twagizwe umubiri nk'uko yagizwe umubiri,n'uko dushoborakugiriranira isangira,nk'umuryango w'Imana hano kw'isi.Iyo niyo yari intumberoy'Imana mw'itanguriro.Ego,mushingantahe.Uko niko Imana yari yabishatsemw'itanguriro.Yaraganza vyose.Kandi Ishiraho umuntu mw'itongorya Edeni imuha umwidegemvyo; iti: "Mwananje, vyose ni rwawe."

33 Mbega ahantuheza! Imana Yarinezerewe, gushika aho Yigira Ikiruhukira ku kazi kayo kose.Ntagiti na kimwe cama amahwa n'amatovu, nta vyamwa vyava ku giti c'amahwa.Vyosevyari bitunganye.Imbuto zose zitunganye. Vyose vyari mu kuntu gutunganye. Rero, Igiheyari agiye mu karuhuko gato,umwansi wayo aca aza arasoboka, n'ikinyoma ciwe,aca arabifatira mugusobanura nabi urutonde rwayo ku bana bayo.Igihe,yashiraicese mu mwana wayo;nkuko ushira icizere mu mukobwa wawe igihe asohokanye n'umugabomw'ijoro;igihe ushize icizere mu muhungu ajanye n'umuhungu anywa inzoga cankeitabi.Murabona, yashize icizere mu muhungu wiwe,ko atakoze ikintu na kimwe kibi.Mugaboumwansi yarasobotse arinjira,nk'imburakimazi yoshobora gutwara umukobwa wawehama akagira ingeso mbi;ari-ariko hariho umugore yoshobora gufata,agasohokanan'umuhungu wawe,kandi agakora ico.Murabona,yarasobotse arinjira.Umwansi w'Imanayarasobotse hanyuma asigurira nabi Eva Ijambo.

34 Rero, wewe,bivane n'uku kurwa yaciye yiganzira itongo rya Edeni wenyene.Arariganza.Kandiyararonse imyaka ibihumbi bitandatu yo gutegekesha ikinyoma;kuguhendaabantu,abana b'Imana,nkuko yabikoze.Kuko, bishimikiza ubwigenge mu miberehoyabo,mu gukora ivyo bagomba.Kandi bizera ko bariko barakora ibibereye,basangabagiye mu bikorwa bibi,hanyuma baragurisha ubusamurarwa nkuko Esau yabikoze,kuri ino si.Kandi satani yaratsinze,aca arifatira isi.Yararonse imyaka ibihumbibitandatu kubaka Edeni yiwe,nkuko Imana yaronse imyaka ibihumbi bitandatukugira iheraheze Edeni yayo.Kandi ku kinyoma,ikinyoma kw'isi canke ku bantuyashizeho Edeni yiwe hano kw'isi, mu caha.

35 Edeni y'Imanayari yashizweho mu bugororotsi.Edeni ya satani yashizweho mu caha, kubera satanini icaha.Imana ni Ubugororotsi kandi Ubwami bw'Imana bwashizweho mu bugororotsi,n'amahoro n'ubuzima.Kandi ukuganza kwa shetani kuri mu vyaha, n'ivyaha vyakidini. Raba ingeneyabeshe, yahemutse nkuko yavuze ko yobikoze.Yarasezeranye kubikora.Mbegauwariwe wese arabizi ibi? Reka tuje muri Yesaya,nimba ushaka zimwe muri ivyovyanditswe .Nimba u……Binsaba gusoma vyinshi muri ivyo,ndavyibaza reka tuje muriYesaya ikigabane ca 14,mu mwanya muto hanyuma turabe gato ico satani yavuzengaha,akanya gato.Muri Yesaya14,turabisoma,hanyuma turabe uyu mugabo ivyoyakoze.Yesaya14,duhera ku murongo wa 12, "Eweukuntu ukorotse uvuye kw'Ijuru,

wanyenyeri yo mu rubungubungu we,

wamwana w'umutwenzi! Ewe ingen'uciwe

ugashika hasi,wewe watsinda amahanga!

Wariwaribariye mu mutima, uti nzoduganje

mw'Ijuru, nkuze ingoma yanje isumbe( aba niabana) inyenyeri z'Imana:

utinzovyagira ku musozi

w'ikoraniro,mu ruhande rw'impera y'iburaruko:

uti uzoduga ndenge ibicu bigarukira;

nzoba nk'isumba vyose.

36 Hanyuma gereranyaibi ngaha na vya bindi vyanditswe hariya mu ba Tesalonika, mu mwanya uheze, ahoyavuga,"yicaye mw 'Ihema ry'Imana yishira hejuru ku kintu cose citwaImana,gushika n'aho asengwa nk'Imana,aha kwisi. Hariho imanayiy'isi nk'uko nari nabigishije kuri vyo ku munsi wa mungu uheze.Ari ngaho unomusi mu kinyoma,muri iki gihe c'ububeshi, igihe gihambaye tubayemwo,ni igiheciza mu bihe vyose twigeze kubamwo,kubera twimirije ca gihe gikomeye c'imyakaigihumbi kandi, twimirije Edeni ubugira kandi. Mugabo turi mu gihe neza naneza,aho ikinyoma cose n'amayeri atari bwigere akoresha kandi agashoborakubihendesha ,yarabikoranije vyose hamwe kandi yihaye inkomezi ,yaje yigize Imana,yishirawenyene mu kibanza c'Imana;umunyedini,kandi ashobora gusubiramwo nezaivyanditswe kandi akakubwira ivyanditswe,nkuko satani yabikoze kuri Eva hariyamw'itongo rya Edeni.Gukurako,gukora. Mugabo ivyo akora ni ugukurako ijambo rimwe,ukugururra igihengeri aho ubumana bw'umurwanizi bushobora guca, nko kumwekw'akayunguruzo k'umuntu yiyumvira twariko turavuga irindi joro.

37 Rero, yaravuze koazokwishira hejuru y'Uwuri hejuru ya vyose; azoduga hejuru y'Ibicu n'inyenyerikandi azokwicara hariya nk'Imana no kuba hejuru y'uwuri hejuru ya vyose.Kandi yarashoboyegushira mu ngiro ibikangiro vyiwe.Yararonse intsinzi ikomeye mu gushira mungiro ibikangiro vyiwe, igihe abantu bamuretse ibice vyose agasigura nabiagaciro k'amasezerano y'Imana yo muri ico gihe.Uko niko yabikoze,mu gihe coseyayasiguye nabi.

38 Mu gihe ca Nowa,yasiguye ko ata mvura yorwa ivuye mw'Ijuru, kubera "nta mvura ihari hariyahejuru." Ubutumwa bwiwe bwa kinyabwenge yigishije mw'itongo rya Edeni ! Yoshoboyekurungika ivyuma ku kwezi kandi akagaragaza ko ata kabomberwa kari hariya.MugaboImana Yari yaravuwe ko ivura yoje. Mugabo satani yaratsinze, kandi ararogaubwenge bw 'abantu, abicishije mu bushakashatsi bw'abanyabwenge, ko,"bitazoshoboka".Mugabovyarashobotse Imana Yari Yavuze ko bizoshoboka, kandi vyarashobotse.Yarabikoze.

39 Rero, muri kinogihe, ca………ca Yesu, Yakoze nk'ivyo nyene. Yararoze ubwenge bwabo ubugira kandin'ikinyoma, murabona, mugusigura nabi ijambo."Nimba uri Umwana w'Imana,reka ndabe ingene ukora ku vyerekeye iki kintu." Yesu ntagirautugenegene. Ntiyigeze Abikora. Imana si umunyatugenegene. Ntibwirizwa kwishurakuri vyose satani abajije.Wewe gusa yabwirizwa……Yesu yavuze,"vyanditswengo ntuzobeshwaho gusa…….. umuntu ntazobeshwaho gusa n'umukate, mugabo n'Ijamboryose rivuye mu kanwa k'Imana."Murabona ntiyabwirizwa kumugirirautugenegene.Ntiyategerezwa gukora umukate.Yari gushobora kubikora mugabo, yarikuba yumviye satani, kandi ntiyabwirizwa kumviriza umurwanizi.

40 Ubugira kandi niicaha ca kidini, nkuko vyari mw'itanguriro, ikinyoma .Birabe neza.Si ivyaha vyakera imisi yose vyo, gusambana, kuborerwa, kurahirira izina ry'Imanaubusa.S'ivyo. Oya. Muribuka mu myakaiheze, benshi muri mwebwe abakurambere, mwibuke bwa butumwa nigeze kuvuga, kuri"Ukumaramara mu rubanza".Umumaraya, ntazomaramarira hariha. Arazi iyo aja. Imborerwa ntizomaramarira hariha.Uwudandaza inzoga za magendo, uwukina akamari, uwubesha, igisuma,ntikizomaramara. Mugabo uwiyumvira ko agororotse, hazoba ukumaramara. Nguku uko umunyediniazovuga; azoza avuga " Mwami sinavuze ubutumwa bwiza, sinasenze abadayimoni,mw'Izina ryaWe?"

41 Yesuyavuze"va ngaha….. muje kure yanje, mwabakora ibizira mwe.Nsinigezendabamenya.Murabona ukumaramara, murabona, ico kinyoma. Ico nico namaumwanya wose…; aho niho batantahura.S'uko nshaka kuba uwutandukanye, mugabontegerezwa kuba imvugakuri.Ndafise ubutumwa, kandi ubwo butumwa butegerezwakuja mu bantu. Bibugira ubudatahuritse mu bantu.Bibaza ko ngwanya abantu.Iyabaza kumenya, n'uko nkunda buri muntu, kandi ngerageza uko nshoboye kubazanira ivy'ukuri,nkuko vyashizwe mu mutima wanje, kandi no mu nzira vyashizwe muri Bilbiahano.Kandi Imana Iremeza ko ivyo ari ukuri, kandi nta kindi gishobora gukorwakuvyerekeye ivyo.Rero, barabiraba, canke ntibabirabe.

42 Murabona,ntibashaka kubiraba, kubera ko bamaze kugurisha vyose, n'uko baragurishijeubusamurarwa bwabo ku mashirahamwe amwe amwe, ku madini umwe amwe ; kugeragezaubusamurarwa bwabo, kugira baronke ijuru bishimikije idini yabo, rimwe sataniariwe arongoye ikintu cose ryaco. Imana ntiyigeze igira idini ryabo ryitunganije iryo satani ari umurongoziw'ikintu cose. Imana ntiyigeze Idini ry'itunganije, Ntiyigeze irigira. Kandi baragurisha ivyo, aho, umurwib'abagabo, basobanura ijambo bakavuga ngo bisobanura ibiuko canke bivuga kurya. Imana ntikeneyeumusobanuzi. Niyo yibereye umusobanuzi.Ntikeneye uwariwe wese wo kuyibwiraingene yogikora.Irikwiye.Yavuze ingene ko yobikoze, kandi ubwo nibwo buryobutegerezwa kugumya ijambo ryayo.Igihe yavuga "Ng'ibi ibimenyetsobizokurikira abizera", yashatse kuvuga ivyo. Ico cose yavuze ko cobaye, yavuzeko cobaye mu musi y'iherezo, ko

yakoze ibintu kanaka, kandiYarabikoze.Ntibikenewe ko Ibaza n'umwe ko hageze canke hataragera.Irazi umwanyaiyo ugeze, kandi n'integuro iyo ari yo.

43 Rero, satani uyumubeshi,nkuko avurwa muri Matayo24:24,n'ibinyoma vyinshi.Rero,dusanze ko biciyemuri uru rutonde rw'ivyirwa vya Biblia vyo kumenya ubwenge,inyigishonziza,ivyirwa bihanitse vy'inyifato nziza,iterambere,n'ibindi,vyararoze abantubagashaka kukorera Imana,mu kwizera ibinyoma vyiwe. Eva ntiyari yashatse gukora birya, mugabo yaramweretseingene vyari ivy'ubwitonzi bwinshi muri vyo. Ntiyigeze abimenya ; yashatsekubimenya.Ntiyigeze atahura, mugabo yashatse gutahura.Hanyuma Imana yariyabwiye ko atagerageza gutahura. Mbega ni gutenotahura vyose muri ibi bintu? Nsishobora kubitahura. Ndavyizera. Nsimbwirizwa kubitahura.Imana ni Ukwizera kandi Ugutahura.Twizera gusa ivyo Yavuze.

44 Rero, tugereranyeEdeni y'Imana n'iya satani ubu, inyuma y'imyaka ibihumbi bitandatu yokuvangatiranya ukusobanura nyako amasezerano y'Imana y'igihe. Rekatubigereranye ubu, kandi turabe iyo tugeze .Nkuko yabikoze kw'Ishengero mu - mugiheca Kristo, muri Yesu, agerageza kubazibira…… abana b'abizigirwa b'Imana kugira ntibamenyeukuri. Uko niko Imana iri. Imana Yashize abana bayo ngaho, akamere kiwe,kugiriranira isangira mu kumviriza Ijambo ryaYo.

45 Mbega vyogendagute hamwe so yokubwira, kandi usanzwe uri umwana w'umwizigirwa kuri so, kandiakakubwira, "Muhungu wanje, ntugende muri ariya mazi kwoga, kuko hariyoingona muri arya mazi" hagaca uwundi agaca aza akavuga, "mu vy'ukuri amazi mezankayo, nta ngona iriyo?" Mbega wewe uzokumviriza nde? Nimba uri umuhunguw'ukuri, uzokumviriza so. Kandi umuhunguw'ukuri canke umukobwa w'Imana yizeraijambo ry'Imana ubwa mbere.Sinitaho ibindi uwariwe wese ashobora kubivugako,bizera ubwa mbere Ijambo ry'Imana "Hariyo uburozi mu gikombe", kandiakavyizera. Kugira ukwizerakw'Ijambo ryayo ryose, Imbuto Zayo, kuzana Edeni y'Ubweranda, urukundo, n'UbugingoBudashira. Ivyo nivyo Edeni y'Imana yari yama, ubweranda. Kandi yarazanye Edeniy'ubweranda, y'urukundo, ukumvikana, y'ubutungane, n'ubuzima budashira. Ico nicoImana Itera ; Ijambo ryayo, Imbuto yaYo. Ico nico Ishengero Ryayo rizobamu gihe c'iherezo ; rizoba ikintu nkico nyene.

46 Raba, hariiciyumviro hano. Ntimuvyibagire. Nzobigarukako mu kindi gihe canke mubundi butumwa. Mugabo, murabizi, Imana yaravuze, "Reka urubuto rwose rwameibisa n'ubwoko bwago." Ivyo ni itegeko ry'Imana? None bizotanga inyungu nki k'umuvugabutumwawese, canke uwundi wese agerageje kugira rirya jambo nyene rivuge ikindi kintu?Murabona, Ijambo ryose ry'Imana ni Urubuto.Yesu Yaravuze ati: "Urubutovy'umubivyi yabivye." Nimba Mariko 16 ari Ijambo ry'Imana rizovyara bivanyen'ubwoko bwaryo. Nimba Mariko 4 ari Ijambo ry'Imana, Rizozana ivyamwa vy'ubwokobwavyo. Kandi irindi sezerano iryari ryo ryose rizane ivyamwa vy'ubwoko bwaryo."

47 "Murabona,raba Satani ngaha ingene yihindagura? Ariko aragerageza avuga, "ibi si,uravyumva ivyo? Murabona, satani avuga,"oh ivyo si ivy'iki gihe. Ivyo,ivyo-ivyo……ivyo vyari ivy'ikindi gihe. Ivyo, ntibinarasigura ivyo." "Urubuto rwoserutegerezwa kurondoka bivanye n'ubwoko bwarwo." Uko niko Imana yashizeho Edeniyayo. Mbega ivyo s'ukuri?Kandi hanobiri: uko niko Imana Yashizeho Ishengero Ryayo, ijambo ryose n'ubwoko bwaryo." Umuntuntazobeshwaho gusa n'umukate wonyene, mugabo n'ijambo ryose rivuye mu kanwak'Imana". Murabona, Satani wewe azofata ikindi kintu, mugabo Imana yaravuze:"Urubuto rwose ruva k'ubwoko rwarwo".Nkuko amasezeranoavuga: "Ng'ibi ibimenyetso bizokurikira abizera", mugabo ishengero rivuga, "iyungen'ishengero.vuga nemeye. Menya ikatikisimu."Yesu yavuzeati: "Ng'ibi ibimenyetso bizokurikira abizera: Mw'izina ryanje bazosendaababadayimoni, bazovuga mu ndimi nshasha; naho bazofata inzoka canke bakanywaibintu birimwo ibibica, ntaco bizobagira, nibarambika ibiganza ku barwayi, bazokira."N'umuntu ameze gute yohakana ibi bintu? Murabona?

48 "Urubutorwose ruzovyara urwo bisangiye ubwoko". Nimba uri urubuto rw'Imana,akamere, umwana w'Imana, rero Ijambo ry'Imana riratewe muri wewe. Murabona?Hanyuma kandi iyo wumvise ijambo ry'Imana,"Intama zanje zumva ijwi ryanje;umunyamahanga ntibazomukurikira". Murabitahura, "urubuto rwose ruva k'urwobisangiye ubwoko."

49 Rero, dusanzeko urubuto rwose ruzana urwo bisangiye ubwoko, nta rupfu ruriyo muri nshansha……..Muriirya Edeni. Nti hazoba urpfu muri Edeni nshasha. Murabona, nta kindi kindikiretse ubweranda, ukwera n'Ubuzima budashira. Rero, biciyemu kutizera ijambo ryose ry'Imana, vyazanye imbuto y'ubucafu muri Edeni yaSatani. Twinjiye ahantu aho Satani yafashe ubwami, nk'uwurwanya Kristo, muri-muri Edeni y'isi, Edeni y'ivyaha,amadini yononywe. Ntiyatanguye avugaati,"Ndi Satani. Ndi umumarayika w'inkomezi." Oya, si muriivyo,mugabo nivyo konona Ijambo ry'Imana kandi ni ubwo buryo yazanye ubwamibwiwe,mu bihe vyose.Kandi ubu muri iki gihe gihambaye c'ikinyoma,yiteguyegufata ubwami,biciye ku bantu biwe! Y Yarubatse wenyene Edeni y'abanyabwenge, bizeamashure, y'abahinga; abavuga butumwa batumbereye, b'abahinga, amashengeroy'ubuhinga, ubuhinga bw'ivyirwa vy'Imana, ikintu cose c'ubuhinga.Ikintu cosegishimikiye ku bumenyi. Ishengero ryose ryubakiye ku bumenyi.Ntiryubakiye kukwizera.

50 Igihe kimwenaragiye kugira nitabire inama mw'ishengero ry'umuntu .Yari inyubako ninihariyo mu

burengero. Umuntu mwiza, kandiyarahakana ibi bintu twariko turavugako. Mugabo naho aruko yari…. Naramukunze,umuntu mwiza, ahumuye. Igihe ishengero ryiwe ryari risohotse hanze….ryiricarikaabantu bababa ibihumbi bitandatu.Igihe ishengeroryiwe ryari risohotse hanze, mu gikorane co ku muhingamo, abantu baba ibihumbicumi na bitanu, bari bambaye neza b'abanyabwenge. Naricaye hariya ndabitegereza. Yigishije ubutumwa bwiza cane,uwo umuntuyarabikoze.Hanyuma arabaza ko hari umuntu ashaka kwakira Yesu,kandi baduzeintake zabo.Kandi nta n'umwe yadugije intoke ziwe.Munyuma umugore umwe araduzaamaboko.Yaciye avuga"Ni vyiza,ubu uri umu Kristo",kandi aca aja muvyo k'umubatiza"Kandi rero igihe yaja hanze…Aca ahereza umwana,arasoma uwo mwana muto kandiaramusengera,aca arareka abantu barasohoka.

51 Igihe iryoshengero ryasohotse, bose bari bameze neza, bize amashure, bafise ubumenyi.Narimpagaze ku ruhande, ndamutsa umuntu mu minwe kandi ndamwipfuriza kuroranirwa kuMana, igihe yaba ariko arasohoka. Kandi Igiheninjira, umurwi wanje waciye uza. Ntibashobora kubareka igihe umurwi wiwe narihariya. Haciye haza abanje, mu ntebe z'ibigombo, inderuzo, amakoti mabi,abataye umutwe, n'abandi nkabo. Urabona ubudasa? Ng'ubwo. Ico nico kintu narikondababwira, murabona. Raba, n'ikintu gitandukanye.

52 Igihe, bivuyek'ubumenyi bw'abanyabwenge urashobora kugira ubutumwa bw'umvikana, ico, wewe, uwizera Yesu Kristo ntazocirwaurubanza; murabona. Mugabo,"Ngibibimenyetso bizokurikira abizera", murabona, yarananiwe gushira iki hariya,murabona.Yarizeye (urya mugore) Yesu Kristo, yaracunguwe, mu gihe ibibimenyetso bikurikiye uwizeye."Uwumvirizaijambo ryanje", atari uguharura amajambo, s'ukuryumva n'amatwi yiwe,mugabo "kuritahura".Uwariwe wese yoshobora kumva ivyo; umumarayaarashobora kuvyumva kandi akaguma ari umumaraya, murabona, imborerwa irashoborakuvyumva, umubeshi arashobora kuvyumva kandi akaguma ari umubeshi. Mugabo"Uwutahura ijambo ryanje, hanyuma akizera, n'uwantumye, afise ubuzima bidashira".Niko biri, murabona.Nta muntuashoboye kiretse uwatoranijwe n'Imana. Yesu yavuze ati "Nta muntu n'umwe ashoborakuza iwanje, kiretse data amukweze, kandi abo data yampaye bose bazoza kurijewe."Amen. Vyose biva k'ukumenya ubwambere kw'Imana. Iba yonyene kandinta numwe ayibwira ico Ikora.

53 Rero, bivuyeku kutizera,no kudafata Ijambo ry'Imanaryose, yazanye imbuto yo kutizera, ubucafu,ubuzimire,urwanko,kandi,n'urupfurw'amaho ruri muri ibu buzimire,muri iki gihe c'ishengero ry'abanyabwenge.Mbegaurategera ivyo?Muri ino misi,igihe isi yose isenga.Mbega ivyo urabizi?Kandimuri iki gihe co gusenga,amasengero manini mu mpande zose,icarico cose gihereramu gusenga Satani.Ivyo biri hano,neza na neza muri Biblia.Ivyo ni ukuri. Kandi iziseminari z'abanyabwenge, biga ivyerekeye Imana, zazanye umuntu w'umunyabwengeyigishijwe ingene bavuga, ingene bakora, ingene bagira ibishobisho, n'ibindink'inyifato, imyaka itatu canke ine, n'ingene bafata ivyiyumviro vy'umuntu. Murabona,ivyo… Impwemuy'Imana ntimeze nkuko, wewe, si ikintu wigishwa. Ni ikintu catoranijwe muriwewe, n'ukuboko rw'Imana Isumba vyose. Ivyo wacishijwemwo ntibishora kuba ivyowakuye kw'ishure canke wigishijwe. Ni ikintu catoranijwe muri wewe n'ukubokokw'Imana n'ukumenya ubwambere kw'Imana, muri wewe. Ivyo ni vyo.

54 Rero, ubu vyazanyeiyi Edeni ihambaye yo muri iki gihe babayemwo, ishengero rya Edeni y'Isi.Bosebashize hamwe ubu mu runani rukomeye rwamashengero, kandi bagiye kuronkaishengero ry'Isi musi y'uburongozi bw'umuntu, aho Satani azoja ku ntebey'ubwami, neza na neza.Kandiuguhamagara ubwa nyuma bigiye gushika, gushaka, gufata umugeni imbere koyinjira muri ivyo. Igihe yinjiye muri iivyo aca afata ikimenyetso c'igikoko,kandi ntuzosubira na rimwe kuvayo.Nico gituma avuga ati,"Va hagati yabo, bantubanje",imbere ko kija muri bo,murabona."Sohoka hagati yabo, nimwitandukanyenabo."

55 Rero, urwankon'urupfu,kandi n'ugutandukanywa ibihe bidashira n'Imana,muri iyiEdeni,ukwifuza,ubucafu,kwiyanduza (gute?) Mu gutera urubuto rubi. Binyibukijeiyerekwa neretswe imbere yuko mpura n'abantu b'abapentekoti,rya wa muntuyagenda azunguruka isi,yambaye ivyera. Muramaze kuvyumva ndabivuga incuronyinshi.Kandi umwe yaje inyuma yiwe, ateragira imbuto yo gucanamwo.Kandiyaranesheje neza, muri Eva……mw'itongo rya Edeni, mu kwifuza icaha kwa Eva;ukwifuza icaha kwa Eva. Rero, nimba Eva yifuje ubumenyi, cari icaha.Kandi igihetwifuje ubumenyi, dukeneye Impamyabushobozi ikomeye, n'izindimpamyabushobozi,ni icaha gukora ivyo.Ni imvugo ihambaye,mugabo uko n'ukuri. Ntacobitwaye ingene ivyo bihambaye, biguma ari ukuri, murabona. Ukwifuza ubumenyi,ugutahura!Ikintu kuriico ni uno munsi ntitugererageza gushira ijambo ry'Imana mu mitimay'abantu.Tugerageza kwishiraho twebwe nyene. Amashengero agerageza gushiraho inyigishomfatiro z'ishengero, mu mitima y'abantu.Dutegekwa gushirahoIjambo ry'Imana. Paulo yavuze ati"Sinaje iwanyu n'amajambo y'ubwenge yokwemeza abantu, kugira ngo ukwizera kwanyu ntiguhagarare mu bwenge bw'abantu;mugabo mu kw'igaragaza kwa Mpwemu Yera, kugira ukwizera kwanyu guhagarare mu Mana." Ng'ivyo rero.

56 Umuntuntabwirizwa kw'ishiraho wenyene. Ivyo turabibona mu…….. Reka Imana ikore ikintuk'umuntu hanyuma imutume, uzobona umuntu wese agerageza kumwigana. Murabona, bagerageza kwishiraho bonyene. Umuntu wese, "nakoze iki, jewe, canje, ishengero ryanje, jewe,iki", bishiraho bonyene. Mbega twigisha kuvyerekeye iki, twebwe nyenecanke ubwami bw'Imana? Gushiraho Ijambo ry'Imana.Gukuraho

ukutizerahama gushiraho Ubwami bw'Imana mu mutima w'umuntu. Kandi ubwami bw'Imana ntibushoboragushirwa mu mutima w'umuntu kiretse Imana yamuremye uko. Ntashobora gushirwakomuri……..Kandi, mwibuke,ikintu c'ikinyoma ngaho,"n'uko umuntu yiyumvira ko ari mu kuri. Murabona,hariho inzira iboneka ko igororotse k'umuntu", umunyabwenge wese abonekako ari uwukuri.

57 Nkukonabibabwiye haraciye imisi ya mungu mikeyi; igihe nari mpagaze impande y'umwanawanje ari ku mpfiro, kandi Satani ahagaze aho avuga ati, "so wawe, yagupfiriyemu maboko ijoro ryaheze. Hari umugore wawe arambaraye hariya- hariya muburuhukiro, kandi aha ni umwana wawe ariko aragenda.Kandi wamubajije ngoakwishure, kandi yamanuye... Yamanuye igitutu imbere yawe. Kandi, Iracari Imananziza, kandi wavuze ko yari Umukiza. Kandi wewe, uracahagaze kuvyo wavuze koari ukuri, warihenze". Oh, iciyumviro cose, ubushobozi bw'ubwenge bwosebwokwemeje ko vyari ukuri; kandi yari mu kuri,gushika aho. Kandi yari mukuri igihe yabwira Eva. "Amaso yanyu azokuguruka, kandi muzomenya icizan'ikibi. Kandi muzomera nk'imana, muri iyo nzira, mu kumenya iciza n'ikibi" .Kuberako Imana ntiyari bwabareke ngo bibone bonyene ko batambaye. Rero, bamenye kobomenye iciza n'ikibi, kandi yari mu kuri. Mugabo, murabona, vyari ibihushanen'ijambo ry'Imana.

58 Ivyo n'ivyoabavugabutumwa biga, mu ma seminari amateolojia y'abantu; bisa n'uko ari ukuri,birashobora kuba ugutahura kwiza kw'ico kintu, mugabo ni ikinyoma. Ntidutegerezwakubitahura.Turavyizera kubera uko Imana yavuze n'uko biri, kandi vyashizwehoibihe bidashira.Ikintu cose, ni iyo nzira yo kuvyizera. Ôo, ukuntu Eva yipfuje kuronka indangabumenyi Idasanzwe, yarifuje kumenya ubwenge gusumba uko yahora.

59 Ni murabeingene, umugabo n'umugore wiwe basa…….Rero murabona, umugabo n'umugore,bose barigusa mw'itongo rya Edeni, Edeni y'Imana. Ubu ndagombakurangiza. Navuze ko ngiye kurangiza mu minota mikeya. Raba, nimwitegerezerero, mukurangiza.Gereranya ibirero, ingene basa umugabo n'umugore,bose mw'itongo rya Edeni,ata n'agahimbak'impuzu kari kuri bo,kandi ntibabimenye.None ni kubera iki batabimenye? Kukobari batwikiriwe uburyo bwabo bwo gutahura ubwambure, n'umwitwikiro mweranda,wa Mpwemu yera. Boshoboye kurabana neza, kandi ntibashobora kumenya kobatambaye .Bari batwikiriwe na Mpwemu yera, w'ugutungana.Bari batwikiriwe.

60 Umutwikirow'Imana, n'uno musi, urashobora kuraba kandi ntiwifuze. Baca bubika imitweyabo. Ni umwitwikiro mweranda, murabona, umwitwikiro mweranda. Imana yarafiasheamaso yabo…….Bari bose,umwe yari umugabo uwundi yari umugore,kandi ntibashoborakumenya ko bagenda gusa kubera ubweranda bw'Imana bwagumije amaso yaboatwikiriwe.Mumenye,Imana yarahishije umutima wabo ivyaha,biciye mu mutwikiromweranda.Iyo twababadufise umwanya mutoya, twari kubiraba iminota mikeya.Raba hano; "Kuri uyo, uwusengaamaze kwezwa", mu Baheburayo"uwusenga amaze kwezwa, ntaba agifise umutimaumwagiriza icaha". Aba yabirenganye.

61 Nigeze kumvamwenedata Neville avuga,muri kino gitondo, hariho umuntu ashobora kuba yamubajijeigituma ntigisha kuri mpwemu yera,kubera iki ntakora ivyo.Ehe ngibi.Mpwemu Yera ni igikorwa muri mwebwe.Ni ubuzima siibishobisho;atari ikimenyamenya co mu mubiri.Mugabo ni Umuntu,Yesu Kristo,Ijambory'Imana ryashizwe mu mutima wawe,kugira agire rizima Ijambo ryose ryo murikino gihe. Vyiza. Raba Mpwemu yera mu gikorwa, atari cawe mu kwigaragaza;mugabo mu gikorwa, ivyo akora bijanye n'Ijambo.

62 Menya rero koMpwemu Yera, w'Ijambo ryera ry'Imana yaretse umugabo n'umugore bagenda gusa,kandintibabimenye.Mbega ubwiza,ubuzima bw'ijambo;urubuto, Ijambo!Imana yaravuze,"Harihoigiti kiri hagati mw'itongo umugore.Kandi hagati mw'itongo hari igiti, ntimuzemwigere munagikorako. Kuko umusi muzokiryako, uwo musi muzopfa".Baribatwikirijwe ubweranda ntibababibone.Ntibari bazi n'agato ivyerekeye ivyo,ntibokubahutse kugikorako.Bari batwikiriwen'ubweranda.Bari bamerewe neza mu nzu y'Imana. Bari bazima.Nta rupfu rwarirubegereye.Hallerujah!Bari bafitaniye urukundo rwuzuye,ubuzima butunganye ibihevyose.Ugutahura kuzuye urukundo rw'Imana.Bari bafise ijambo ry'Imana kandibabrarigumije.Kandi bari bazima kandi mu mutekano muri Edeni y'Imana,ata rupfuruhegereye.

63 Munyuma, Sataniaca azana Eva kumviriza ubutumwa bwa Tewolojiya,ubutumwa bw'ubunyabwenge,bw'abizecane,bw'abize kuvuga neza,abateye imbere,inyigisho zihanitse,n'ibindin'ibindi,kandi igihe yumva ivyo……yarahagaze aramwumviriza umunota,k'uvyiyumvirovyiwe(zimwe dutegekwa kuzibukira),igihe yariko aramukwegera kumwumviriza."Rero, rabangaha, ishengero riri muri ibi na biriya.Ryaramazegushirwaho kuva kera.Turi mu ma shengero ya kera mu gihugu.Umukuru w'igisagarakumbure." Ntaco bintwaye uko biri, murabona. Nimba binyuranye n'ijambory'Imana, binyuranye naryo. Ico n'umwansi wawe. Ikintu k'inyuranije n'ijambon'umwansi wawe.Ikintu cemeranya n'ijambo ni mwene so. Ni igice cawe.

64 Menya,yarakuyewa mwitwikiro mweranda,kugira amenye vy'ukuri ivyerekeye ibitsina;gereranyaivyo;ico kwifuza bizana mu vy'ukuri.Yarakuye wa mwitwikiro ku maso yiwe,cakintu ceranda ico Imana yari yarashize ku maso yiwe.Yashatse ubwenge,kumenyavyose ingene vyari bimeze.Yumvirije Satani,kandi menya ikibanza ivyovyamushizemwo.Bakoze nk'ivyonyene buri ibihe

vyakurikiye, imisi yose bagafata uruhande rw'abanyabwenge;kandi ubu barubatse ubwami bwa Satani, ubwenge, imbuto yatewe, kandi yajanyeisi kugira ibe Edeni y'urupfu.

65 Rero mumenye. Rero raba mu Vyahishuriwe Yohana 3,Ishengero rya Lawodikiya. Ni muvyiyumvireko mu bwenge bwanyu. Rero mumenye,wewe, Eva, ni umwamikwzi wa Satani. Raba, Satani, inzoka, yagiye kwa Eva imberey'uko Adam aja iwe. Murabona? Uko ni ukuri, yari umugabo wa Eva imbere y'ukoAdam amumenya. Murabona, yaramuhenze.Biblia yaravuze ivyo, kandi yaramenye koyambaye ubusa, rero. Murabona?

66 Ubu nahonimwitegereze Igihe c'Ishengero rya Lawodikiya.Wewe, Eva, yicaye nk'umwamikaziwa Satani.‟Aratunze mu bintu vy'isi; impumyi, agenda amenya ubigira kandi,ntavyo azi.” Nk'uko vyari muri Edeni y'Imana.Mugabo ubu,atari ukoumwitwikiro mweranda uri ku maso yabo,mugabo umwitwikiro wo kwifuza.Kuko,yarakuyeumwitwikiro mweranda w'Imana,hanyuma ashirako umwitwikiro w'ubwenge,wokwifuza.Kandi ubu afise umwitwikiro wo kwifuza,umugira‟impumyi” kuri icoko ari icaha. ‟Agenda amenya”mw'ibarabara,‟kandi ntavyo azi.”Niimaraya mw'ibarabara! Abagore n'amabutura magufi, mu bimenyetso vy'Imana, niubusambanyi,‟kandi ntavyo bazi ivyo”.

67 Mumenye, raba abagore bacu. Ubu, ushaka kuraba ibihe ishengero ririmwo, itegereze ingeneabagore bifata. Bama baserukira ishengero. Muri Edeni ya Satani, y'ivyahan'ukutizera, ukononekara kwa madini, ubwami bwononekaye.Aho gufata Ijambory'Imana, bafashe ubwenge bw'abize bw'umuntu.Aho gufata ishengero, bafasheumurwi w'itunganije, kandi bakarishira musi y'uburongozi bw'umuntu umwe.

68 Menya rero, vyononekayebivuye ku kuba ataco kwagirizwa. Rero ntubure ibi.Ishengero ryari n'umwitwikirowo kwifuza kuri ryo. Mumenye ko vyakozwe kuri ryo.Vya-vyaryononye kuva kukutacoyagirizwa rija k'ubumenyi.Murabona? Umwitwikiro mweranda, ryari iritacoryagirizwa; n'umwitwikiro wo kwifuza, ubumenyi bwiwe.Azi ko bibereye. Arazi icoakora, murabona. Ni icamwa,ni igiti co kwifuza,gitanga ubumenyi. Murabona? Carononekeyekuva kukutaco ryagirizwa rironka ubumenyi, kuva ku bweranda rija mu mucafu nokwifuza,kandi riva ku buzima rija mu rupfu.

69 Ubu bwami butegerezwa gupfa. Ubu bwami buzopfa.Imana yo mw'Ijuru Izobusambura imbere y'amaso y'isi.

70 Menya, muriuku kononekara, biva k'umugabo bija ku mugore, kandi bikava ku mugore bija kumugabo. ‟Kandi ivyo ntibabizi”. Ishusho nziza ya Eden ya Satani, iyo uravyeamabarabara uno musi, uravye ba bantu bacu bateye imbere. Menya, vyariivyo satani yakoresheje kugira akwegere Eva mu caha n'ubushobozi bwiwe bwokwifuza. Ubu, ivyo nyene, bakora vya bindi nyene uno musi. Raba, imishatsiimoye, kwisiga ibirangi mu maso, yambaye impuzu zibonekesha umubiri, murabona, arakoraivyo, kandi ntazi ko kimwe cose muri ivyo gihushanye n'Ijambo ry'Imana. Kumwa imishatsiyiwe, kwigira umugore atagira indero, umumaraya. Kwambara amabutura, bimugirauwuteye isoni. Kwambara impuzu zibonekesha umubiri, bimugira umumaraya

71 Yarakuyeimpuzu Imana yari yamwambitse, hariya muri Edeni, kubwo urugendo runini muriubu -ubu bugararwa.Yarazambuye.Yariyambuye wenyene. Igihe, Imana yariyamwambitse umubiri wose, yaratanguye kumwa imishatsi bukebuke umwanya wose,ubu yagarutse hamwe yari ari mw'itanguriro.Ubu nahoyazanye Adam wiwe kwambara za mpuzu ziwe zo musi.Umugabo yiyambika utwotubutura tugufi twa kera nk'abagore, hanyuma agasohoka hanze, sinibaza koagifise ubugabo bukwiye muri we.N'umugabo yigira gose umugore noba nzi. Murabona?Raba, Eva yagize Adam kononekara no gukora nkawe, raba, kwambara impuzu ziwe zomusi. Yarabonye ico yoshobora gukora hariya inyuma igihe yakura impuzu ziweagasigaza iyo musi.Izo ni amabutura.Egome, ni impuzu z'abagore zo musi, hanyumana Adam wiwe arazambara uno musi.Nkuko, bivuye kw'ijambo ry'Imana ry'inkomoko,‟niikizira ku mugore kwambara impuzu zagenewe abagabo, kandi umugabo ni ikizira kwambaraimpuzu zagenewe umugore”, bivuye kw'Ijambo ry'inkomoko. Muvyibazeko.

72 Ubu, ashira kumutwe imishatsi nk'iy'abagore,n'ibindi.Ayisokoza nkabo,agashiramwoibigudi.Bimwe mu bicafuza bibi noba narigeze kubona mu buzima bwanje,ni bamwemuri abo bana hano uno musi,n'imishatsi yabo bayisokoje ikamanuka nk'uku,bayisizeama rangi,imishatsi yera,n'ibintu vy'ubwoko bw'imiti,kandi imishatsi yabobayisize amarangi yera,hanyuma bakayizungurusha ibigudi,bagira ibitsibo.Wewewigira umugore!Ivyo ni ibintu biteye isoni kuvugira ku gicaniro,mugabo urubanzarutangurira mu nzu y'Imana.Ntunazi ko uri umugabo canke umugore.Kandi narumviseko mu gisoda cacu ca reta nzunze ubumwe za America bazokwambara amabuturavuba.Nivyo.Murabona uko kononekara? Ni impuzu z'abagore; kwambara imishatsiyiwe.

73 Umusi umwenari hariya, muri Howard Johnson; atari hano ngaha, mugabo harya kw'ibarabarausohotse. Hanyuma ndicara ngaho ntagara. Aho haza umuhungu mutoyi, n'umunwawuguruye.Kandi yarafise imishatsi yirabura ngaha,yarisokoje gushika ngaho, kandiyayishizemwo ikintu kimeze nk'ingata muri yo;imanuka igashika mu maso hiwe ; ihakwiragiye.Nimbasinari bwigere mbona uko kononekara! Murabona, ntiyoshoboye kuvyizera. Yoshoborakwerekana kumbure ko yari umugabo, mugabo impwemu yiwe ni umugore.Ntaziuruhande uruhe rw'inzu yegukira.Ivyo ni ukuri. Ingene

yononekaye!Ivyo nivyoSatani akora. Aronona amahanga. Aronona amashengero.Aronona abantu. Niumubeshi, umwononyi w'ukuri kw'inkomoko.Imana yagizeumugabo umugabo.Yagize umugore umugore. Kandi yabambitse bitandukanye, hanyumayashatse kuvuga kuri bo kuguma uko kandi bakore uko;umwe ni igitsina gore,kandiuwundi ni igitsina gabo.Yatandukanije Adam mw'itongo rya Edeni,kandi ikora ibi,yatandukanije Eva nawe.

74 Ubu yambaraibitsibo vy'imishatsi yiwe, umugore amwa imishatsi nk'umugabo, kandi umugaboagerageza kwambara ivyiwe nkawe. Murabona? Umugore yambara impuzu zo hanzez'umugabo, kandi umugabo yambara impuzu zo musi z'umugore.Rero, ayo majwiy'amarogotano, mugabo simvuze muri iyo nzira.Ni ukuri kudasubirwamwo kw'Ijambo.Nimba utabizi, rero hariho ikintu kitameze neza iwawe; canke ushobora kuba uriimpumyi canke utarigera usohoka uja mw'ibarabara.Kandi umugore yibaza kandin'umugabo yibaza ko ari vyiza.Hariho aho bahuriza.Abagore bavuga,"Nukuri, harashushe!"Abatamab'abahindi bo k'umusozi Apache hari inyuma bobamaramaje.Uko kashuha, niko bambaraimpuzu nyinshi kugira bikingire izuba; oh, kugira ushuhe, ushabora kuronkaakayaga bariko baratambuka. Murabona? Bahagarara ataco binona hanze ku zuba.

75 Ntushoborakwihanganira na kimwe; wogira ibivyimba bivuye ku zuba hanyuma ugasha.Mugabo,murabona, ivyo nivyo mwita kwiga cane.Ubuhinga bugezweho bwavyanye ibi, ôo, mu!Hariya ari"amenya"muri Lawodikiya,"kandi ntavyo azi."Yari yambayeubusa muri Edeni.Mubona ubwo bwami bubiri busa? Bumwe ni ubw'icahan'urupfu,ubundi n'ubuzima n'ubugororotsi.Hariya yari atwikiriwe n'umwitwikiromweranda.Bose ntibari bambaye,ntibabimenye.Ntibigeze bamenya na kimwe kuriivyo,kubera ko bari batwikiriwe na mpwemu w'Imana.Kandi ng'ahabatwikiriwe n'ukwifuza,kandi bararabana kugira…….murabona, Adamu yarashoborakuraba Eva,kandi ntiyashobora kumenya ko ari gusa.Mugabo ubu n'uwu mwitwikirow'ukwifuza,umugore ntashobora kubona ko ari gusa,mugabo arabikora musi y'uwumwitwikiro w'ukwifuza gukwegera umugabo kumuraba.Ico nico kintu conyeneashobora kumukorera.

Ntavyo mwemeraivyo, mugabo murabikora mu buryo kanaka,kandi umugabo akaraba.Kandi agasangawakwegerewe,gushika aho aza iruhandeagishira zimwe mu mpuzu zawe kuri wewe nyene.

76 Ôo, mbega ukwononekara!Mbega igihe! Ni igihe ki turi……..Mbega ikinyoma kiraho? Ôo, ibi bintuvyose,"kandi ntavyo bazi", impwemu yononekaye cane mumugabo.Yitwikiriye ukwifuza kwa Satani,kandi n'umugore n'uko nyene. Ni mpwemuya Satani yo mukibano kinini.Murabona,ntibabizi,mugabo ni umurwiw'itunganije.Abagabo bambaye nkuko,ni umurwi witunganije.Ndabaha impfunyapfunyoy'ivyo,B.S.S,Umurwi w'abagore bavyibushe,n'uko rero uwo niwo murwibarimwo.Bakaja hanze,umurwi munini w'abagore b'ingari bambaye udupataro twakera dutuduto,tuboneka nk'amafunda ibintu bishisha kuraba.Jewe-jewe…….

77 Bagabo,mushobora kuba abatandukanye nanje kuri ibi, mugabo uko n'ukuri. Mwarononekayeariko ntimubizi.Ntimuri, ntimukora nk'abagabo n'agato.Murabona, bacitse abagaboniryo, kandi ,n'abahungu babo,ntaco bazimarira;abagabo n'abagore ni nk'ukonyene. Ni umurwi. N'umurwi witunganije.Kubera iki?"Yohani,umubanyi,yambayeukabutura,kubera iki nanje ntobikora?Luella yashatse ko ndayambara kubera koYohana umubanyi wanje yayambaye.Kandi,vyiza,nimba-nimba Susie jane ashoborakuzambara,none Martha Jane aca azambara,canke Susie Lou", canke uko yitwa kwose,murabona.Raba,niumurwi w'itunganije.Impwemu yawe iri kuri wo kandi ntavyo uzi.

78 Nimba ari ukobimeze,kandi turabona ko uri uko bimeze,waragizwe impumyi n'amadini Sataniyafungiye muri wewe.Kandi ni ukononekara kw'ijambo ry'Imana ry'inkomoko,n'UbwamiBwiwe,kandi n'umugambi Wiwe kubana biwe.Satani yarafungiye abagabo n'abagoremuri ibi bintu,kandi ntibabizi. Ukwononekara. Nta kiriumwama w'Imana! Ibishatsi birereta mu maso,yambaye amabutura ayerera mumabarabara; umwana w'Imana,umudiyakoni mw'ishengero,umwungere kugicaniro?Oya,si umwana w'Imana.Ntiyigeze aca mu kayungiro k'Imana.Ntiyokwambayeizo mpuzu z'abagore;kandi ntiyokwambaye izo mpuzu z'abagabo.Murabona,s'umwanaw'Imana.N'umuhungu wa satani,kandi n'umukobwa wa satani.Ikintu kigoye kuvuga.

79 Sataniyarastinze mu konona no kwifatira iyi si, no kuyigira ubwami bwiwe, aho abantu bashizwe,bakihitiramwo bonyene, ubwoko bw'ubuzima bashaka kubamwo.Kandi ivyo vyerekanaibiri mu mutima wawe. Murabona? Ijwi ryawe…….murazi ivyarivyo? Ibikorwa vyawebiravuga gose, birarengera ijwi ryawe.Huhu. Reka nje kumugabo. Kandi akavuga."Oh, jewe………twese turi Abakristo.Turi abanywanyib'ishengero".N'amashusho y'abagore bari gusa amanitse ahariho hose mu birovyiwe? Huh! Nta tandukaniro rihari kuvyo yambwiye; nomenye vyiza na wewe kandi.Reka umugoreavuge ko ari Umukristo, n'imishatsi migufi, Huh-uh! Murazi vyinshi gusumba ivyo,murabona. Ego, mushingantahe. Reka avuge ko ari Umukristo, yambaye amabutura,akisiga n' amarangi, kandi akavuga ko ari Umukristo? Murazi vyinshi muri ivyo.Ijambo ry'Imana rirakwigisha vyiza gusumba ivyo. Ijambo ry'Imana rivuga koumugore adashoboye gukora ibi kandi abe Umukristo. Wewe arateye isoni,n'ibindi. Ni gute Imana Yoshira Ibintu biteye isoni mu Bwami Bwayo? Oya, mushingantahe,nta na gato. Oya, Mushingantahe bonyene berekana ivyifuzo vyabo.

80 Ntushobozagusangiza inuma n'agaca, ntibishoboka. Inuma ntifise indugwe. Ntishobora kurya umuvyimbaumwe wa kera. Hamwe yofata igipande cawo, coca kiwica,kandi irabizi. Mugaboagaca gashobora kurya ivyo gashobora kose. Murabona. Gafise indurwe nyinshi.Rero ivyonivyo dusanga hanze, uko n'iko bimeze n'isi y'uno musi, ivyo nyene.'' Bagendaamenya, impumyi, kandi ntibabizi''.

81 Satani akora ivyo biciye k'umwitwikiro w'umugorewo kwifuza ubumenyi,guhuza ibitsina,niwenyene yavyitoreye biciye ku guhitamwokuriwe.Rero menya,ni Eva yazanye Adam mu makosa,kandi yari umugore yiyambuyeimpuzu imbere y'uko Adam aziyambura.Murabona?Ni umugore,imisi yose,niko vyamyeimisi yose.Niko bimeze n'ubu.N'ishengerorijana umuntu mu makosa, ni ishengero, murabona, niryo rirongora umuntu yashatsekuba umwana w'Imana. N'umugore, ari ishengero.Si Bibiliya, Imana,nkuko Bibiliyaibivuga ni umugabo. Ôo, egome,"Ijambo ryagizwe umubiri," kandi yari umugabo.Murabona?Bibiliya niumugabo;ishengero ni umugore.Murabona?Si ishengero……….Bibiliya niyo ijanaumuntu mu makosa.Ni ishengero rijana umuntu mu makosa. Ni mw'ishengero agendayambaye amenya, atari Bibiliya. Murabona? Oya, Sivyo na gato. Bibiliya imubwirako ari amenya. Ego, mushingantahe.Rero menyaingene, biciye mu guhuza ibitsina, kwipfuza guhuza ibitsina, n'umwitwikirow'ubumenyi, gufasha kumenya ikiingene cari, kandi gute, ingene iki camwa cari kiryoshe canke kitaryoshe, kandiyarabikoze.

82 Imanaizokigarukana umunsi umwe, biciye k'umugabo. Catanzwe n'umugore.Mugabocaracunguwe n'umugabo; Yesu Kristo, we Jambo.Rero ni ikintuki? Mumenye, mu guheraheza. Nta mwanya uhaciye, navuze iri jambo.Ndafise izindimpapuro zine canke zitanu hariya, mugabo nda…Z'ijambo kandi n'ibintu nshakakwisunga gusa.Mugabo, umviriza.Reka turangize, mukuvuga ibi.

83 Mwibuke, hano ntamwanya uhaciye, nariko ndabigisha ku Mituragaro Ndwi, Umunsi Mukuru w'Inzamba,n'ibindi. Kandi naravuze, "Har'umunsi mukuru ku munsi w'umunani" Rero,umusi w'indwi uzoba ari uwanyuma, kuko uzoba ari kwa kuganza kw'imyaka igihumbi. Mugabo,hariho umusi mukuru wari k'umusi w'umusi w'umunani, mugabo hari gusa imisiindwi, bizowugira umusi wa mbere kandi, kugaruka neza inyuma ku munsi wambere.Hanyuma, inyuma yaho ukuganza kw'imyaka igihumbi kuzoba guheze, rerohazoca haba ukugarukanwa kwa Edeni ubugira kandi.Ubwami buhambaye bw'Imana buzogarukanwa.Kuberako,Yesu Yarabugwaniye na satani,mu kibuga c'igetsemani,kandi aratsindirakugarukana Edeni,aho yagiye kuyitegurira kandi mw'ijuru, kugaruka kandi ,hariya mw'Ijuru. Yavuze,"Ntimuhagarike imitima."

84 Igihe yari kw'isi,yavuze,"mwebwe, abayuda, mwarizeye Imana.Rero, ndazi nararonse izinaribi,"Niko yavuze."Kandi bavuze ndi iki, ikindi. Muragabemwarizeye Imana; kandi nimba mwarizeye Imana, munyizere nanje."Yari Imana,yagaragaye. Murabona?" Mwizere kandi……..

85 "Mu nzu kwa Data hari…………..".Canke,"mububiko kwa Data, mu migambi ya Data hari ingoro nyinshi.Ngiye guteguraikibanza."Raba ingene kingana: Ibirometero kwadarato 1500! Vuga, ari he?Yagiye kugitegura.N'umuremyi.Niwe yaremye inzahabu zose. Amabarabaraarabonerana.Ni umuremyi.Arategura ikibanza.Mu vyahishuriwe Yohana21, yavuze,"kandijewe Yohana nabonye umurwa wera, Yerusalemu nshasha, wururuka uva mw'ijuru kuMana." Nta biyoga kandibiriyo, Ijuru n'isi vyambere vyararenganye."Amajuru ya mbere yariayahe?Yari ukuganza kw'imyaka igihumbi.Isi ya mbere yari iyihe? Yari iyi. Izogirwanshasha. Nta mabahariakihari;ijuru rya mbere n'isi vyari vyarakuweho; amajuru ya mbere yariayahe?Yari Ubwami bw 'imyaka Igihumbi . Isi yambere yari iyihe? Yariiyi. Izogirwa nshasha nkuko yabatijwe na Nowa mugihe c'umwuzure, mu giheri yarikoaravuga ubutumwa, yejejwe na Kristo, igihe yasesa amaraso kuriyo. Kandiizogirwa nshasha, hazofutwa imigera n'ibintu vyose biri kuriyo, mu gusubirwamwomu mpera, n'umubatizo w'umucanwa izokwica imigera yose, ingwara zose, ibizavyose, n'ibibi vyose vyigeze kubaho hano kw'isi.

86 Izoturika, muriuko guturika havemwo isi nshasha. "Kandi mbona ijuru rishasha n'isi nshasha. Ijururya mbere, iyi si ya mbere,yari yarakuweho;kandi kandi ntihari hakiri amabahari. Kandi jewe yohana mbona umurwa wera,Yerusalemu musha,wururukauva mw'ijuru ku Mana. Hariya Imana Izoba ifise

Akameremere kayonyakuri, abahungu n'abakobwa, aho boshobora kugiriranira isangira mu bweranda,n'amaso yabo atabona icaha na kimwe. Uhereye aho ntihazigera kubaho icahakandi.Reka twihate gose,ntimuhendwe muri ino misi, mugabo, twihate kwinjira duciye mu mwango."Kuri abo bosebazosigara inyuma bazoba abasambanyi, abifuza".Uwuraba wese umugore akamwifuzayamaze gusambana nawe.Bose hamwe——hanze bazoba abagore b'ingeso mbi, abagabob'ingeso mbi, n'ibindi.Kandi abacunguwebonyene, bari mu gitabu c'umwagazi w'itama c'ubuzima, bazokwinjira baciye mumwango.rero, twihate bagenzi;ntimuhendwe muri ino minsi y'iherezo.

87 N'igihegihambaye.Umwe wese yararonse amafaranga. Umwe wese ashobora gukora iki, kandi umwe wese ashobora gukora kiriya, kandi amahera akwiragiye hose,imiduga minini, n'ibindi. Nta nimwe izoba ihari muri ico gisagara. Nta modokanimwe, nta ndege bizoba bihari.oya. Hazoba neza na neza iterambereritandukanye. Hazoba kandi iterambere atari iry'ubumenyi bw'ubuhinga, mugabo ubwoukutagira icaha, n'ukwizera Imana Nzima.Reka twihatirekwinjira muri ivyo. Iyo niyo ntumbero yanje yose, ukwinjira muri ico gisagara umusiumwe; kandi raba inyuma, ingo tujane, mbona umuntu wese agendagenda,

igihetuzoba turirimba,"abera binjira muriwo". Nshaka kuba muri ico gitigiri abera nibinjira muriwo. Reka dusenge.

88 Mukunzi Datawo mwijuru,nkuko imisi igenda ihera kandi turabibona biregereje isezeranoriregereje.turasenze,Turasenze, Mana Mukunzi,kugira Uzoshirae ivyo mu mitimayacu,kugira ntituze dukore ikosa na rimwe. Mana Mukunzi, gumiza imitima yacuitanduye. Gumiza imitima yacu itwikiriwe, Mwami, amaso yacu atwikiriwe ku bintuvy'isi, n'ibintu ataco bimaze vy'iyi isi, icubahiro ataco kimaze co kuba umuntuahambaye.Ntaco bitwayeuko bihambaye kose, abami bose, ingoma zose, abafise ubutware, n'abandi bose bizokugwaho,kandi ntibazozuka mw'i—-.mw'izuka rya mbere. Nkuko vyanditswe, "Arahezagiwekandi n'umugororotsi uwo azoba ari mw'izuka rya mbere, kuko urupfu rwa kabirinta bubasha ruzoba rumufiseko." oh Mana! "Urupfu rwa kabiri", urupfu rwa mpwemu,"ntabubasha", yaracunguwe!

89 Ôo Mana,kwifumvira ko umwe muri arya masaha, umwe azoba agiye kuramutsa uwundi, hanyumaace azamurwa. "Babiri mu gitanda, nzotwara umwe, uwundi asigare.Babiri mumurima, nzotwara umwe, uwundi asigare".Ôo Mana,dufashe tube abera muri-mu nyonga zawe Mwami, ntaco bitwaye ivyo umuntuatwibazako, ivyo uwundi muntu avuga. Mwami, reka ubweranda bwacu——ibiyagovyacu bibe vyeranda. Reka bibe biryohejwe n'ijambo ry'Imana, biryohejwe cane, Mwami,kandi ntihabe uburyarya buboneka muri twebwe. Igihe twisabira imbabazi kumakosa yacu, Amaraso ya Yesu Kristo; ahagarare hagati yacu n'Imana, kugiraaturabire mu maraso ya Yesu ;atari hejuru y'ukugororoka kwacu,canke icoturi,ico twakoze,mugabo biciye mukugororoka kwiwe gusa. Mana, biduhe!

90 Ntihagiren'umwe yicaye hano muri rino joro kandi yuvurije ubutumwa, ntihagire n'umweazotakara kuva kumwana muto gushika k'uwukuze cane. Mbega ivyifuzo vyabovyeranda vyoba gusa kuvy'Imana n'ijambo ryayo. Ntituzi isaha dushobora kuzacanke isaha ashobora kuturengutsa kugira twishure hariya hejuru ku rubanza. Ntituziisaha dushobora, nkuko vyari gufata ikarata yacu tuyikura aho ibitswe,avuga,"haragezegutaha muhira. Utegerezwa kugenda". Mana, dufashe tugume turi abera. Bidukorere,Mwami.Dushoborakubaho gushika k'ukuza k'umwami, nimba vyoshoboka. Ariko dukora ivyarivyo vyosebiri munkomezi zacu,n'urukundo n'ugutahurana,ugutahurana uko imana irikoirarondera uyu musi,kurondera intama yose yatakaye.kandi dushobora kuganiran'abo n'amasengesho aryohejwe n'urukundo n'ijambo ry'imana,tuzoshobora gutorauwo yatakaye,aho tuzoshobora gutaha muhira,kandi tuve muri ya Edeni ya kera yasatani ngaha, Mwami.

91 Kuko yoseyubatswe ku kwifuza, n'abagore beza, nkuko bitwara muri ino isi, n'ukwigaragazakwabo hariya. "Turigaragaza,kandi dushaka abahungu baze n'amarangi mu masohabo,n'abakobwa beza bambaye amabutura .neza na neza mu ma radio natelevisions ;kandi n'ubwoko bw'ubucafu——-na Hollywood" uburenganzira kuma radio n'imboneshakure zacu;n'ibindi vyinshi vyo kwambara impuzu zerekanaibitsina,ubucafu,impuzu ziteye isoni z'abagore.kandi-kandi abagabobononywe,bambaye impuzu z'abagore,bakamwa imitsi yabo n'abagore; abagorebameze nk'abagabo.Ôo Mwami, mbegaisaha mbi cane tubayemwo. Mwami Yesu, ingo! ingo,Mwami! Twezeshe amaraso yawe,igiza kure ibibi vyose, n'uburyarya bwose kure yacu.reka tubeho. Reka tubehomusi y'Amaraso, igihe cose, imbere zawe. N'ivyifuzo vy'imitima yacu, kandi niisengesho rivuye k'umutima.

92 Mana Mukundwa, turambaraye kuri izi—-canke kuriizi ntebe, muri rino joro, aho ubutumwa bwazanywe.Mwami,hashizwe udutambaran'udutu bija kuja ku barwayi n'abababaye. Reka amasengesho y'ukwizera, Mwami, amanukeavuye mu mitima yacu ubu, imbere zawe. Rero,Mwami,nimba hari ikintu cosec'bucafu muri twebwe,fata ivyacu—-tujane mu rubanza ubu ;kandi dusavyeubuntu.Duhishurire ivyo dukora nabi,Mwami,kugira dushobore kubaza,dufashe Amarasoatwoze.wumve abarwaye kandi ubakize,Data,aho hose barwaye,aho baja hose. Reka bibe ukwo Data.

93 Duhe inyota yo kugukorera, kandi wewe gusa.Bikore,Mwami.Kingira aba bantu batashe muhira.Murakoze ingene wumvise abantu. Kandi mushikiwacu Shepherd na mwenedata Shepherd umuhungu muto wa Mwene data Shepherd,yagize isanganya kw'ikinga, ndasenze ntihagire umurwanizi amutera; uwo mwenedatamuto yariko agendesha ikinga ndasenze kugira akire. Urakoze ko wumvise n'abanditwasengeye. "Kandi turazi ko ivyo dusavye, tubironka, kubera ko dufise icizerekuri Umwe yatanze amasezerano".Duhe ubuntu Bwawe,Mwami, kandi utubabarire ivyaha vyacu. Tubisavye mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen

94 Mbegamuramukunda? Mbega muramwizeye? Urarwaye kandi uraruhijwen'ubwami bwasatani ?Urizera ukuza kwa kuzakw'imyaka igihumbi kwegereje muri uko kuganza kwiwe kw'imyakaigihumbi;iyiwe,muri Edeni yiwe? Urizera ko iriko irajaho uno munsi?Raba, ikintu cose gifise ifatiro ku bwenge. Vyose,icarico cose, gitegerezwa kugaragazwa n'ubuhinga imbere yuko cizerwa.Kandintushobora kugaragaza Imana biciye k'ubuhinga. Utegerezwa k'umwemera biciye mu kwizera.Uwuzaku Mana ategerezwa kuyizera ko iriho, kandi azobaha,azobambika igitsibo abamurondera ubudahumeka.Ôo Mana, ntanakimwe nshaka kumenya mugabo Amaraso ya Yesu yaranyogeje ivyaha. Nta na kimwenzi mugabo Yesu Kristo. Nkuko Paulo yavuze kera, reka ndabivuge muri rino joro,"Nta na kimwe nzi kuri mwebwe, atari Yesu Kristo, Kesu Yabambwe."

95 Ivyo nivyo nzindababwira. Ivyo,ni Bibiliya,ndavyizera n'umutima wanje wose(nimba nzi

umutimawanje),kuba ijambo ry'imana ritunganye ridacanzwe.Kubera ibi ndabayeho.kuberaibi ndahagaze. Kandi iyaba mfise ubuzima ibihumbi cumi, nashaka guha agace kosek'abwo irijambo, kubera ko n'Ijambo rya Yesu Kristo. Kandi ntaco bintwaye ukobagerageza kose kwerekana ibihushane, uko ubushakashatsi bwogerageza kuvuga ko atarivyokwizerwa n'ibindi kuri jewe,nico kintu conyene kwisi noshobora kwizera,kuriinosi. Ni Uwanje. NdaMukunda. Mweho s'ukwo?

96 Nimba hariicaha mu mutima wawe, nimba hari ikosa mu mutima wawe, nimba hari ikintu caricocose, senga kandi usabe Imana ikubabarire. Munsengere, ndabasengera. Imana ibahezagire,niryo sengesho ryanje. Kugeza ahotuzohura! kugeza aho tuzohura!

Imana ibanenawe kugeza aho tuzohura kandi!Mbegamurakundana? Yohana yavuze, "bana bato nimukundane", nimukundane kuko. "Urukundorutwikira ivyaha vyinshi".Rero reka dufatane mu minwe.

Imana Ibane namwekugeza ah tuzobonane kandi.

Kugeza ahotuzobonana. kugeza tu—-Rero nimuberanireabarwaneza. N'ube umurwaneza kuri buri wese. Umubanyi mufate neza.Mubehoatagasembwa kugeza Yesu Agarutse.kugezatubonanye ! kugeza tubonanye!

Imana ibanenawe kugeza tubonanye!

97 Mbega uramukunda?Iryo niryo sengesho ryanje. Unsengere; ndagusengere.Ngomba gusubira inyumahariya I Tucson ubu nyene. Kandi nda—ndasenga kugira mwese Imana Ibahezagire.Ngiyemuri Canada, mvuye hariya kandi nsubire I Colorado;mu micungararo,mu micungararo,murabona,kugeza….Mwenedata Tonyari hariya,kandi ibintu bihambaye vyarabaye.Neza mu misi y'uburongozi bwavatikano,hariya I Roma,bavyita umuvyuro,ikoraniro,jewe ngende kandi hariho kandinitabe umuvyuro I roma,I Roma. Yarasubiye inyuma vyonyene. Abantu bari hamwebose. Bararonse ikibuga c'inkino hariya,ivyicaro ibihumbi n'ibihumbi,kandibashaka ko ngende kubera umuvyuro. Bashaka kubona ubwiza bw'umwami mu gikorwa.Ntavyo nzi. Binsaba kubisengera, mbone ico Umwami Azombwira.oh.Mwibuke, dusengetwese hamwe.turi mu rugendo……Turi murugendo rwo kuza k'umukiza wacu yahezagiwe,

Lo, kandiamababi yumusokoni ubu aratotahaye,

Ubutumwa bwizabwaragiye mw'ihanga ryose;

Kandituregereje iherezo birashobora kuboneka.Mbega ivyo nivyo?Reron'umunezero, tuzotangaza ubutumwa bwo guseruka kwiwe.vuba azoza mu bwiza,

kubwira umweumwe kandi bose;rero ikangure mwebwe beranda b'umwami,kubera iki musinzirakandi iherezo ryimirije.reka twitegure ako kamo.Azohindukiramu burengero hanyuma agaruke kandi, umusi umwe muri ino misi rero,muvyibuke.neza na neza azobikora.kandi uko ni ukuri.Kugeza aho:

98 Fata izina ryaYesu na wewe

Mwanaw'umubabaro n'amagorwa

Rizoguhaumunezero kandi rikwirure

Rifata,aho ujahose

Izinarihambaye (izina rihambaye),oh ingene ari ryiza.

Ivyizigirovy'isi kandi umunezero w'ijuru

Mw'izina ryayesu twunamike imitwe

Dukubitainkoro ku birenge vyiwe

Umwami w'abamimw'ijuru tuzomwambika urugori

Urugendo rwacururarangiye

Izinarihambaye,oh ingene ari ryiza!

Umwizero w'isi,kandi umunezero w'ijuru

Izinarihambaye,oh ingene ari ryiza.

Umwizero w'isikandi umunezero w'ijuru.

99 Rero, muri akakarongo kanyuma, reka turirimbe n'imitima iciye bugufi

Fata izina ryayesu na wewe

Nk'inkinzok'ubitero vyose

Kandi igiheibigeragezo biriko birarwira impande yawe

(ibi bintuvy'ubwami bwa satani, murabona, murabona)

Humeka muri iryozina ryera mu masengesho.N'ivyo ;gendarero igire hanze. Birakunda. Narabigerageje.Rero vyizere gusa,kuko birakunda.

Humeka gusa izinaryiwe ryera mu masengesho

…..Izina rya yesuhamwe naweNk'inkinzok'ubitero vyose

Igihe ibigeragezobiriko birarwira impande yawe,(Mbega uzokora iki ngaho ?)

Humeka gusa iryo zinaryawe ryera mu masengesho.(umwitwikiro uzoza mu maso hawe rero)

Izina rihambaye(izina rihambaye),oh ingene ari ryiza.

Umwizero w'isin'umunezero w'ijuru

Izinarihambaye,oh ingene ari ryiza

Umwizero w'isin'umunezero w'ijuru.Reka twunamikeimitwe yacu rero,igihe nsavye mwenedata

Beeler hariyainyuma aze hano ku gicaniro I mwendata [Branhamatanguye kuririmba

Fata izina rya Yesu na wewe]

Humeka gusaizina ryiwe ryera mu masengeshoUturangirize, mwenedataBeeler. Uturangirize mu masengesho

Izinarihambaye…….

Umwizero w'isikandi umunezero w'ijuru;

Izinarihambaye (izina rihambaye),oh ingene ari ryiza.

Umwizero w'isikandi umunezero w'ijuru

100 Rero n'imitweyacu yunamye,kandi n'imitima yacu iciye bugufi.Mwenedata Beeler,umwe mubodufashanya hano,mwenedata Estle Beeler, mwenedataw'umukristo mwiza,umugabo w'umwizigirwa. Ngira ndamusabe arangize iri koraniromuri rino joro,mu masengesho.Imana Iguhezagire, mwene Data Beeler.

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7